
Kuronka Imana!
Hehe? Gute?
Gabriele

Vyakuwe mugitabo ca Gabriele,
umuhanuzikazi n'umutangabutumwakazi w'Imana:

Kuronka Imana!
Hehe? Gute?

(Igitabo kiriho mu gifaransa n'icongereza)

1ère édition en Kirundi: juillet 2024

N° Réf.: G337bi

Traduit de l'allemand, titre original:
Gott finden! Wo? Wie?

Pour toute question se rapportant au sens,
l'édition allemande fait référence

© Tous droits réservés
Gabriele-Verlag Das Wort GmbH

Kuronka Imana!
Hehe? Gute?

Muri iki gihe cacu c'akaruru n'uruhagarara, abantu benshi baribaza kubijanye n'Imana: *Imana iri hehe kandi twoyishikira gute? Imana yoba ibaho koko? Nimba ibaho, kuki itiyerekana?*
Abandi barivuganya: *sinizera ko Imana ibaho, kuko twihweje neza uko isi imeze, biboneka ko kuvuga ko Imana iriho ari nk'umugani.*

Uwundi nawe yovuga kandi: *habaye kwibaza igituma Imana yihoza ingorane ziri muri iy'isi yacu, amadini amwamwe yibaza ko ari «ibinyegezwa»* vy'Imana.
Kandi twiyumviriye vyimbitse, umuntu yokwibwira: *nararondeye Imana mumadini atandukanye nibaza ko nayironse aha canke hariya ndizera ko naronse akazatsa*

k'ukuri. Rimwe na rimwe, maze kwemezwa ukuri gutandukanye kw'amadini atandukanye, nokwibaza ko nashitse kuntego kandi ko nahisemwo idini kanaka. Ariko, vyihuse, niyumvamwo gukekeranya, nkibaza n'ibibazo vyinshi: ako kazatsa k'ukuri kamariye iki, mugihe katarampindura, mugihe nari narabisezeraniwe. Maze kuba uwutizera n'uwukekeranya, nibwira ko ayandi madini ashobora kuba afise vyinshi k'ukuri guhoraho. Mukwegeranya utwo tuzatsa tw'ukuri tw'amadini atandukanye, noba nararonse Imana?

Umwiheburo wanje wabandanije ukura kandi nca nsanga ko inyuma yo kurondera no kwongera kurondera mumadini menshi, sinigeze mbona canke ngo ndonke Imana. Ukwo kwisubiramwo kwanteye kwiyumvira ko ntari jenyene nibaza ibi bibazo: Imana iri hehe? Imana twoyironka hehe? Kuberiki itwinyegeza, no kuwemera ko iriho? Narirya amadidane yanje kukubaho kw'Imana yiyongera umusi kumusi, na cane cane

igihe mbona uburyarya bw'abanyamadini, sinzohagarika ubushakashatsi bwanje. Nsanga ngifise amadidane, ndibaza igituma Imana yifuza ko abiyita abavugizi bayo biyoberanya nk'uko kandi imikino nk'iyo ikabera aho bari bambaye imyambaro yabo ishajije? Bigisha guca bugufi ariko benshi bishwe n'inzara bafise ingorane z'uburaro kandi badafise n'uburyo bwo kwiyambika neza, nca nsubira gukekeranya ko Imana yoba iriho. Ibitsibo vyabo bivanze n'amabuye y'agaciro, co kimwe n'udukofero twabo vyitwa ko dufutse ibitsibo vyabo bivyura muri jeze ibibazo vyinshi.

Kuberiki iyo mikino kandi ni iki cinyegeje inyuma y'ivyo?

Tuvuganye na bamwe muri abo «bamenyesha» Mana, dusanga bari kure cane y'ukuri ntiwonabagereranya n'umuntu asanzwe yironderera Imana afise ukwizera.

Ng'iyi incamake yashitsweko n'umuntu arondera Imana:

Ubutegetsi bw'idini kanaka bwiyumvirako idini yabo ariyo dini y'ukuri kandi izana agakiza.



Bagenzi musoma, nimba mubishaka, iyumvire kuri iki:

Mukuronka Imana, ntibikenewe kuja aha canke hariya. Kuberiki? Kuko Mpwemu ahoraho, yitwa Imana muburengero, ari hose mumwanya umwe kandi ari no muri buri mushaha w'ikiremwa muntu.

Mpwemu yidegemvya muvyaremwe vyose, Mpwemu ari hose mumwanya umwe, Imana ari mubimera vyose, muri buri giti, muri buri ikimera gitoyi, no mukatsi gatoyi, mugikoko, mw'ibuye; muvyaremwe vyose hari Mpwemu ahoraho akorera muri buri kintu cose.

Mukuronka Imana, ntibikenewe kuja aha canke hariya. Mugusenga Imana, ntibikenewe ko twiyoberanya. Twiyumvire kandi kuri aya majambo ya Yesu w'i Nazareti: «*Ihweze ukuntu amashurwe yo mw'ishamba akura: ntakora canke ngo ajishe; ariko ndababwira ko na Salomo ubwiwe, mubwiza bwiwe bwose, ntiyigeze ashaza nka rimwe muriyo.*»

Imana rero iri muri twebwe. Imana iradukikuje. Imana iri hejuru no musi yacu, iri iburyo n'ibumoso bwacu. Ni Impwemu yidegemvya, Ubuzima mukintu cose.

N'ubwo turondera Imana ubudasiba mumadini mumiryango canke mumirwi y'ivy'impwemu no mumashengero y'inzego turiyumvisha kandi tukiyumva nkaho tumurikiwe, ariko uko igihe gihera, vyose bihinduka ubusa no guta agaciro, kuko uwutaronse Imana Ibwina mumushaha wiwe aguma arondera Imana kandi abandanya ubudasiba urugendo rwiwe idini kuyindi, umuryango canke umugwi w'ivy'impwemu kuwundi.

Mukuyiyegereza, Imana, Uhoraho yaturungikiye aciye muri Mose Amabwirizwa Cumi no muri Yesu w'i Nazareti aduha inyigisho z'amajuru ziri Mumajambo yigishije k'Umusozi, ni ivyavuye mw'ibwirizwa rihoraho, muvyaremwe vyose vy'Imana,

murukundo Rwayo no mumwidegemvyo Wayo aribwo buzima nyabwo.

Ubundi bwo, uwuha agaciro cane ivyiwe kuruta Imana kandi akiremesha mukwibesha ko kwizera gusa no gukurikira imigenzo n'imitegekere y'amadini bihagije ntazigera aronka Imana, n'ubwo yiyumvira ko yaronse utuzatsa tw'ukuri aha canke hariya.
Umusi umwe canke uwundi akazatsa kose katari ak'Impwemu kazotakaza agaciro ikiremwa muntu kiguma kirondera Imana kandi ntikiyironka gushika aho ikiremwa muntu n'umushaha bizovumbura murivyo nyene inkomoko yavyo, umuzi w'ubuzima, kandi umushaha ukaruhukira mw'ibahari ry'Ubuzima.



Abantu benshi, vy'umwihariko kuri iyi saha yacu, baribaza kuki Imana, biciye muri Mose yaduhaye Amabwirizwa Cumi, kandi biciye muri Yesu w'i Nazareti ikaduha Inyigisho zo Kumusozi.

Ukumenya izo nyigisho vyaduhinduye abanyabwenge no kutwegereza Imana?

Nk'uko twabibonye mukuronka Imana, ntadini canke umuhuza bikenewe. Nta muryango urimwo abahuza bibohererako abanywanyi ukenewe.

Ni twebwe, kandi twebwe twenyene dutegerezwa kurondera Imana, kugira tuyironke ibwina mumushaha wacu. N'uko, Yesu w'i Nazareti yaratwigishije ko Imana iri muri twebwe n'ukuntu dutegerezwa gusenga. Yavuze: «*ariko weho, igihe usenga, injira mucumba cihererye, ugara umuryango maze usenge So ari mumpisho kandi So abona mumpisho, azokwishura.*»

Uwizera inyigisho za Yesu w'i Nazareti, yizera kandi ukubaho kw'umushaha udapfa muriwo ibwina haba kandi hakorera Mpwemu yidegemvya kandi ahoraho muvyaremwe vyose, yitwa Imana m'Uburengero.

Ibiremwa bantu turi, bifise kamenyere yo kwegeka kubandi amakosa abishikiye. Dutunga urutoki abandi ivyo bakoze canke batakoze mukubatako amakosa batakoze. Imisi yose ni abandi bakora nabi canke badakora ivyo badategerezwa gukora. Twategerezwa guhindura ubwo buryo bubi tubonamwo ibintu kandi tugatahura ko umwe wese muri twebwe ari we ubuzima bwega kw'isi, kuco akoze canke yirengagije gukora.

Ni ahacu ho kubona ibitagenda neza munyiyumvo zacu, mubigumbagumba vyacu no muvyiyumviro vyacu co kimwe no mumajambo no mubikorwa vyacu.

Uwugira akigoro ko kwisuzuma, arabona bukebuke ko ari umunyamakosa kuko ibibera inyuma y'inyiyumvo ziwe, ivyiyumviro, amajambo n'ibikorwa vyiwe binyuranye n'ivyo yerekana, mbere binyuranye n'ivyo yizeza abandi.

Muvy'ukuri turi abanyamakosa tuyakora atugarukako ducumura kukumurikirwa kw'umushaha wacu no kumubiri wacu ubabazwa kubwo inyifato yacu iri kure y'Imana kandi bishobora kuduteza indwara.
Twikorera twebwe ubwacu ivyo tutakwifuza. Si abandi babazwa ibidushikiye, ni twebwe abanyamakosa!
Ikosa ryacu ryinyegeza inyuma y'inyifato zacu, inyiyumvo yacu, ivyiyumviro vyacu, amajambo n'ibikorwa vyacu. Dukora amakosa vy'ukuri kuco turi.

Umusi ni umusi, tuzotahura ububi bwacu kandi, duciye bugufi rero turasaba im-

fashanyo no gushigikirwa muri Mpwemu ari hose icarimwe.
Dutegerezwa rero kwihindukiriza ku Mana, dutere intambuko yambere tuyigana mukunesha icaha cacu kubufasha Bwayo.
Tugereranije nibikorwa vyacu bibi n'Amabwirizwa Cumi no kunyigisho za Yesu w'i Nazareti, twisanga twarataye Imana.

Ibibazo, uruhagarara, umubabaro canke indwara vyategerezwa kutuyoborera kukwirimbura, kumakosa twakoze, kandi tukirinda kwagiriza Imana umubabaro udushikiye. Ivyo vyose, harimwo no kutaroranirwa vyerekana ko ibiremwa bantu turi, biriko birondera Imana.
Tuvyemera canke tutavyemera, umwe wese muri twebwe arafise igiharwe kuko umushaha wacu uriko urondera Imana, aho dukomoka hahoraho, ibahari ry'ubuzima nyakuri ibwina cane mumushaha wacu, ikiremwa cejejwe arico turi, gikomoka mukubaho guhoraho kwejejwe.

Bagenzi musoma, uwama afata umwanya wo kwirimbura, arashobora kwiyumvamwo ko ico gihagwe arico kimutera kurondera intumbero ihoraho. N'ubwo tutoshima kandi kuvyibwira, umusi n'umusi tuzokwisanga mumubabaro ukomeye, tutosobanura. Ni inkumbu yaho dukomoka, ishaka ryo gutaha muhira ryimbitse, imbere y'Uhoraho, mubwami bw'Imana, aho igihugu cacu gihoraho.

Ukiri umuyabaga hariho ibintu vyinshi udashaka kuvugisha ukuri. Wibaza ko waronse umunezero no kuroranirwa biramba mu kubaho mubitunezereza no muvyo twifuza. Muvy'ukuri, ni ukwibesha, kuko muri iy'isi y'igihe gito ntanakimwe kiramba. Mugihe runaka, abantu benshi basanga bataroraniwe kandi bagatahura ko bamye barondera ikintu runaka, ivyo bikaba gutyo batigeze bababazwa no kubura icubahiro canke ibintu bifadika.

Ibiremwa bantu vyose co kimwe n'imishaha yose iri mumajuru iguma irondera

mu buryo bumwe canke ubundi intumbero ihoraho, umugende uhoraho, ibahari y'ubuzima. Dutegerezwa gutahura twese ko turi ingenzi kw'isi ko umusi umwe canke uwundi tuzova mumubiri-hazoba iki none?

Nubwo bamwe barondera inyungu muri bagenzi babo, bikunda cane kandi binezereza mukurenga imico, umwe wese azisanga umusi umwe imbere y'iki kibazo: ivyo vyose vyafashije iki? Umushaha wanje nawubabarije iki kandi uzogenda wiremetse iki igihe uzova mw'isi? Umuntu yizera ko hariho ubundi buzima inyuma y'ubuzima bwo kw'isi ategerezwa kwibaza aho azoja ni ukuvuga aho umushaha wiwe uzoja.

Ukwiyumva igiharwe kanaka ni umuhamagaro ukomoka mw'isoko ry'umushaha wacu uradodora k'umuryango w'inyiyumvo zacu, w'ubwenge bwacu, kuko umushaha

wacu watakaje inzira yawo igana i muhira kwa Data. Uradodora kandi kumuryango w'ivyiyumviro vyacu, amajambo yacu n'ibikorwa vyacu.

Ico kimenyetso kiduga kivuye ibwina mumushaha wacu, ni umuhamagaro wo kuzimuruka kugira twinjire mungoro y'uwera cane, ibwina cane, mumushaha wacu, kugira dukurikize amategeko ari Mumabwirizwa Cumi y'Imana n'inyigisho za Yesu w'i Nazareti.

Kugira dutore isoko ry'umushaha wacu, dutegerezwa kugira urutonde mungoro yacu. Uwutibaza kuri wenyene kugira atahure ikinyegejwe inyuma y'inyiyumvo ziwe canke inyuma y'ibikorwa vyiwe, inyifato yiwe yose, ameze nk'ubwato mumukuba, aho mumwanya runaka bwubama. Abakozi b'ubwato ntibamenya aho bageze. Ruba ari uruhagarara! Umwe mubakozi aratabaza, uwundi ahamagara Imana kandi

uwagatatu akaba mumugwi wo gutabara.
Umwe wese niburiburi yiyumvira uko yokiza umubiri wiwe. Ninde afise amahirwe menshi yo kurokoka: ni abatabaje abo mw'isi canke, ni abafise umutima w'ukuri, biyumvira n'ubuzima nyakuri kandi bagahindukirira Imana?
Umwe wese arashobora kwiha inyishu kuri ico kibazo kandi akibaza aho yokura ubutabazi.



Rimwe na rimwe turumva bavuga ibitangaza, ariko, mukubaho kwacu kuriyisi, nta «gitangaza» kibaho, ikibaho ni ubufasha bukomoka m'urukundo ruhoraho n'impuhwe z'Imana. Itegeko rihoraho ry'Imana ni itegeko ry'urukundo n'umwitwarariko kucaremwe cose.

Mw'itegeko ry'ubuzima ririmwo vyose kandi rikaba n'ubumwe ntagutembagazanya bibamwo, ntamibavu ikenewe, ntakwikebagura bikenewe canke kwisiga ngo uhuganure bikenewe, ntanibirori bikenewe, ntamigirwa y'abaherezi canke amasengesho y'ibisabisho. Ntabakorera abandi bakenewe, ntanzobere muvy'Imana zikenewe, ntamitegekere ikenewe ntamigirwa y'ibimazi ikenewe, nta dini ryo hanze rikenewe, ntabihimba vy'imibiri y'abe randa bikenewe, ntaberanda bakenewe, nta ndyadya zikenewe, ntakwunamira ibishusho bikenewe, ntaguhimbaza umuntu bikenewe.

Itegeko ry'Imana ryamana agaciro kubantu bose harimwo «abatwawe n'amazi», baba abarobwe canke abasomye nturi.

Uwiyumvira ko yizera, yategerezwa gutahura ivyo Yesu w'i Nazareti yigishije kubijanye n'urutonde rw'ingoro y'Imana no kumenya ko buri kiremwa muntu ubwiwe ari ingoro ya Mpwemu Yera. Buri musi, yategerezwa kwibuka ubwo butumwa igihe asenga canke buri igihe iyo agiye «mu ngoro y'ukwizera» yubatswe n'amaboko y'abantu. Azokwiyumvamwo rero vyihuse ko abaye uwidegemvya kandi atahura cane ko Imana ihari.

Ni twazigama mubwenge bwacu amajambo ya Yesu, ukwiyoberanya kwose kw'abiyita abakozi b'Imana kuzogaragara ataco kumaze, igifise ikimazi conyene ni inyigisho iruta izindi ivuga: Imana ni Mpwemu yidegemvya, ari hose mumwanya umwe, aba mubidukikije no mubikoko n'ibitandara bitagira ubuzima kubwiwe abeshaho isi yose n'ivyaremwe vyose.

Ubundi, buri kiremwa muntu ni kimwe muvyarengewe n'amazi caguye kw'izinga ryitwa «Isi». Mbega umushaha wiwe uzoba he igihe ubuzima bwiwe kw'isi buzoba burangiye? Igihe isaha ya nyuma izovuga, umwe wese abitahura canke atabitahura, yifuza ko umushaha wiwe wokwisanga mw'ibahari y'urukundo ruhoraho kugira uhabe ibihe vyose. Ni umuhamagaro w'umushaha wacu urimwo ibwina muriwo igihugu gihoraho.

Basomyi dukunda, nimba mushobora kwemeza ukubaho kwa Mpwemu yidegemvya atamitegekere canke ikindi cose cashizweho hambavu y'ijambo «Imana» muzoba muriko mutera intambwe mwiyegeraza Amabwirizwa Cumi y'Imana n'inyigisho za Yesu w'i Nazareti, harimwo n'Amajambo yo k'Umusozi.



Turi bande, twebwe dufise ivyo vyiyumviro?
Turi abasubirizi ba Yesu w'i Nazareti we yigishije icarico Mpwemu yidegemvya, Imana kandi yatweretse m'ubuzima ko mukwiyegereza Imana umuntu atabwo akeneye imigenzo canke imitegekere canke abakuru b'amadini. Abasubirizi ba Yesu w'i Nazareti si abanyedini yo hanze canke abanyamuryango nk'ibisanzwe, bafise umurongozi hejuru n'abanywanyi bacika nk'intama zikurikira atabwenge. Ikibahuza, ni uko biyumva ko batari kure na kure kandi bagatahurana kuko ari aba Mpwemu yidegemvya.
Yesu w'i Nazareti yavuze amajambo asa n'aya: aho babiri canke batatu bakoraniye mw'izina ryanje ndi hagati muri bo. Imisi yose abantu benshi baribaza aho boronka umuryango widegemvya umeze nk'uwo.

Mugikorwa ca Kristo w'Imana, mw'Isoko mpuzamakungu rya Vie Universelle, hari

umuryango wuguruye aho uwurondera Imana w'ukuri ashobora kuronka amakuru. Kubantu bose barondera umuryango rukristo wuguruye kandi widegemvya, tubahanura ibi bikurikira: nimba muzi abantu bafise ivyifuzo nk'ivyo, murashobora guhurira umwanya uwariwo wose hamwe kuri umwe muri mwebwe kugira musenge kandi mwongere muhanehane ubumenyi kuvyo mumaze gushikako mubijanye n'impwemu kugira mwigiranireko, mukure mwongere mushinge imizi mu Mpwemu.

Tubisubiremwo: umuntu ntakeneye idini ryo hanze, ntabwo akeneye umugirwa canke umugenzo n'umwe w'idini. Dutegerezwa kwiyumvira no kubaho tuzirikana ko Imana iri muri twebwe ibwina cane mumishaha yacu. Abasubirzi ba Yesu w'i Nazareti basengera ibwina muri bo bivanye n'ivyo biyumvamwo mumitima yabo, badakoresheje ibisabisho vyashizweho.

Nubwo Imana, Mpwemu wa Data wo mw'ijuru azi vyose, abantu bamwe bariyumvamwo ibwina ko bashaka kuganira nawe. Ico kiyago ni isengesho ry'imbere aho tuvuga ibiri imbere mumutima. Iryo sengesho ribera ibwina mumushaha, mukwiyerekeza ku Mana iri muri wewe nyene. Iryo sengesho ry'imbere hamwe no gushira mungiro buke buke Amabwirizwa Cumi y'Imana hamwe n'inyigisho za Yesu wi Nazareti, bituma tumenya aho ducumurira, hamwe no kuvyihana, mukubishira kurutonde hamwe no kudasubira kubikora.

Isengesho ry'imbere, ryidegemvya, rituma dutera imbere kandi tugakura muvy'impwemu. Riradutungisha m'Ubuzima, riduza muri twebwe ukwidegemvya, umwumvikano ariko cane cane urukundo ku Mana no kuri bagenzi bacu.
Iyo nzira y'imbere, y'umwidegemvyo ntaho ihuriye niy'abarongozi b'amadini,

hamwe «n'inzu z'Imana» zabo, zubatswe n'amaboko y'abantu. Umwe wese arafise muri we, ibwina cane mumushaha wiwe uwera w'abera, Imana.

Ibidukikije navyo birashobora kudufasha kwibohora kubisabisho vyashizweho n'abantu hamwe n'akosho tugirwako n'abarongoye amadini. Ni twafatana urukundo ibidukikije, birashobora kuba umurima w'Imana uha ubuzima ingingo zacu hamwe na Mpemu yidegemvya.
Bivanye n'igihe runaka, ibidukikije ni ijambo ryo kurema, ijambo ry'Imana. Buri igihe cose, birashurika, birakura kandi biratanga. Ntivyirata ubwavyo Kuko birazi ko nimba inkomezi zirema ziramba, ni kubera Imana ari Ubuzima. Dutegerezwa gukurikira akarorero k'ibidukikije biri muri Mpwemu umuremyi ahambaye m'Ubuzima.
Ijambo ry'Umuremyi riri hose icarimwe, ijambo ry'Uhoraho rivuga: NDI UWO NDI WE – Ubuzima bw'uguhoraho kwose.

Nimba muvyipfuza, nimwisuke mumugende w'ibiriho vyose vy'Ubuzima uri muri buri umwe wese muri twebwe, iruhande yacu, musi no hejuru yacu. Ni ubuzima bubera hose icarimwe, Imana, Mpwemu yidegemvya wa Data wo mw'Ijuru uwo turi abana biwe.

Abasubirizi ba Yesu w'i Nazareti bifuriza abari murunganwe rwabo cokimwe nabonyene ubwabo, gukura no gushikama muri Mpwemu, hamwe no gutahura ko aho babiri canke batatu bakoraniye mw'izina rya Kristo w'Imana, Mpwemu muzima kandi yidegemvya ari hagati muri bo, ari hagati muri twebwe.

Ni muriyo Mpwemu abavukanyi bo muri Mpwemu yidegemvya babaramukije.





Amabwirizwa Cumi Y'Imana

yatanzwe biciye muri Mose

asiguwe mu mvugo y'uyu musi

Ni gute twotahura Amabwirizwa Cumi no kuyashira mu ngiro mu buzima bwa misi yose? Amabwirizwa Cumi n'impanuro zihambaye z'ubuzima zitujana ku mahoro y'imbere no ku mwidegemvyo, kandi zidufasha kwiyegereza Imana intambuko ku yindi, Mpwemu yidegemvya, muri twebwe no mugifise ubuzima cose.

S338KI • ISBN 978-3-96446-228-2 • Impapuro 40

Utu dutabo turaboneka kandi mugifaransa no muzindi ndimi nyinshi!

Infos en français par WhatsApp: +49 159 08 45 45 05
www.gabriele-publishing.com

Udutabo turi mu Kirundi dutangwa k'ubuntu



- Ubuzima butunze gushika mu zabukuru
- Imana muri twebwe
- Yesu n'ibikoko
- Iri n'Ijambo Ryanje A na Ω
- Aho babiri canke batatu bakoraniye mw'izina ryanje, ndi hagati muribo
- Mubaho ibihe vyose. Urupfu ntirubaho
- Kuronka imfashanyo mu ngwara no mu mubabaro
- Inyigisho yo Kumusozi Urufunguruzo rw'ubuzima bw'impwemu bwuzuye
- Nturere amaboko! Komeza!



Gabriele Publishing
The Word

Max-Braun-Straße 2 • 97828 Marktheidenfeld • Germany

www.gabriele-publishing.com